LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

**N°543Co kuva kuwa 07 gushika kuwa 13Nyakanga 2026**

Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 6 Nyakanga 2026, abantu bashika 879 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 792 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0.INTANGAMARARA......................................................................................5*


*I.UMWIHWEZO...............................................................................................5*

*II.UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NA PORITIKE...............................................9*

*III. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA.................................11*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA.............................................................................13*

***INDINGANIZO NSHASHA YO Y'INTWARO KUVA KUWA16 NTARANTE 2023***



**SCDS** **: Ikigo c'ubuvuzi**

**CECI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora muri komine**

**CEPI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu ntara**

**CNDD-FDD** : *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunani rukingira intwaro rusangi (umugambwe uri ku butegetsi)*

**CNL** **: Ihuriro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo**

**RN** **:** Ibarabara ry'igihugu

**FDLR** **:** Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**AFC** **:** Alliance Fleuve Congo

**M23** **: Umuhari wo ku wa** 23 Ntwarante

**OPJ** **:** Inyamiramabi

**RDC** **:** Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**VBG** **:** Amabi afatiye ku gitsina

0. INTANGAMARARA....................................................5

I.UMWIHWEZO ....................................................5

I.1.UMWIHWEZO WA PORITIKE ....................................................5

I.2. UMWIHWEZO W'IBIDUKIKIJE ....................................................6

I.3.UMWIHWEZO W'INTWARO ....................................................6

I.4.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO.................................................... 7

II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI PORITIKE ....................................................9

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ....................................................9

II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE ....................................................9

II.1.1.1. IBIZIGA VYATOWE. ....................................................9

II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORA ....................................................9

II.1.1.3. UKUNYURUZWA CANKE UKUBURWA IRENGERO ....................................................9

II.2. UGUKUBAGURWA KU MUBIRI NO KU MUTIMA ....................................................10

II.2.1. AMABI YO MU MAZU ....................................................10

III. ..UBURENGANZIRA BW'IMIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA ....................................................11

III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI....................................................11

III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO....................................................11

III.3. UBURENGANZIRA KU BUZIMA....................................................12

IV.UGUSOZERA N'IBISABWA....................................................13

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi mundwi yo kuva kuwa 7 gushika kuwa 13Nyakanga 2026.Kirereka kandi iterambere ahanini ryibonekeje mu bisata nka poritike,umutekano,ibidukikije n'intwaro hamwe n'ibintubishobora kubangamira imibano, ubutunzi n'imico kama.Muri kino kiringo cakoreweko,umuhari Iteka watohoje **n'imiburiburi abantu 5 bishwe**,muriboharimwo 4 batowe ibiziga, **umuntu 1yishwe mu ntumbero yo kwihora na 2 bandi ku mvo z'umutekano.Abantu 2 bakorewe amabi afatiye ku gitsina** hamwe n'umuntu **1 yanyurujwe** nabo nyene baratohojwe.

Amakuru yatororokanijwe ashira ahabona , mu mabi amwe amwe, abikekwa ko bagize uruhara nk' **abaporisi,abakozi b'ipereza hamwe n'urwaruka rw'imbonerakure z' umugambwe uri ku butegetsi , CNDD-FDD hamwe n'abantu batamenyekaye**. Hejuru y'amabi yatohojwe,indwi yaranzwe kandi n'ingorane zijanye n'intererano z'uburyo zitangishwa abanyagihugu, ukuburabuza ry'ibikorwa vy'urudandazwa, ibikorwa abantu bamwe bamwe bategekwa gukora,ingorane ziguma zibonekeza mu gisata c'indero, hamwe namasanganya menshi mu bidukikije no muvy'isuku.

## *I. UMWIHWEZO*

### *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE*

**Inama yo guhimiriza abanyagihugu bo muri komine Cankuzo, yagirishijwe na buramatari w'intara ya Buhumuza**

Kuwa 10 Nyakanga 2026, umupfasoni NDARUHEKERE Denise,buramatari w'intara ya Buhumuza, yaragirishije inama imvukira hamwe n'ababa muri komine Cankuzo muri " Kabeza Motel", iri ku mutumba Cankuzo. Kubwo icabona cari mu nama,ikintu kimwe nico cari ku rutonde rw'umusi : **ugusubiramwo igisagara ca Cankuzo, ukubaga inzu zikomeye hamwe guteza imbere amabarabara**.Umupfasoni buramatari, ku rundi ruhande,yaradondaguye amazina ya bene ibibanza biri mu micungararo y'igisagara,abasaba ko bovyubaka mu maguru masha.

Yarana shikirije ko ibibanza bizokwakwa umuntu wese atazokubahiriza ikiringo co co kwubaka.Vyongeye, mu ntumbero yo kwagura igisagara,amabarabara mashasha azotegurwa mu mitumba ihegereye,mugihe imirima y' ibitoke hamwe n'iyo imyumbati,iri kumitumba nka Muterero na Rurama, yamaze kurandurwa.Ariko rero,abanyagihugu vyakozeko ntibararonka indishi y'akababaro. Kubwo isoko ryacu nyene,bitegekanijwe ko buramatari ateguta inama nshasha mundwi ikurikira.Mu bibazo vyashikirijwe, icumu-dandaza yitwa MUDURI,aba muri karatiye y'abadandaza,caradukoze ku mutima: ***"Ni kubera iki batangishije ihadabubu bibanza bitashashe amabuye ku nkombe z'ibarabara ry'ikaburimbo,mugihe imbere y'amazu ya Reta ,iryo tegeko ritakurikijwe ?"*** Les services Ubuzi bwa Reta bukorera muri ivyo biro nabo nyene bari gutangishwa ihadabu.Dusohotse, MUDURI yaciye ahagarikwa n' imbonerakure yongera asubizwa muri yanzu y'amanama.Yarakatewe ubwoba ko yopfungwa, yagirizwa ko yavuze nabi kandi yatutse indongozi y'intara.Yaruhiye kure-kurwa abanje kuriha ihadabu ringana na 50 000 FBU.

*I.2. UMWIHWEZO W'IBIDUKIKIJE.*

**Umuriro wa Nyakanga yarahitanye uruhande rw'ishamba cimeza rya KIBIRA**

Kuwa 10 Nyakanga 2026, umuhari ITEKA waramenyeshejwe ko ishamba cimeza rya KIBIRA rihiye cane muri ino misi.Kubwo amakuru yo kwizera,ihegitari zirenga 30 z' ishamba cimeza zoba zaraturiwe n'umuriro wa Nyakanga watanguye kuwa 5 Nyakanga 2026. Mu mazone yakozweko cane ,harimwo Rwegura na Kabarore, hamwe n'igice c'ayahoze ari amakomine 2 ahana urubibe, Musigati na Bukinanyana, kubwo abacunga ikibira bakorera mu Rwegura. Iyo nkuru yaremejwe na Abel NTEZIRYAYO, atwara ikibira yadomyeko ko ari ihegitari 30 harimwo imirima y'icayi,zatokombeye.Ntamuntu yahasize ubuzima aramenyekana kuba ico gihe.Ariko rero biravugwa ko ibikoko vyinshi vyahunze ishamba.Inzego z'umutekano, nk'igipolisi n'igisirikare,barahimirijwe, ariko nta muntu n'umweyahagaritswe. Twomenyesha ko abajejwe intwaro bashira uko guturira ku bavumbi bacana umuriro mu guhakura.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO.*

**Intererano z'uburyo zitegekwa n'umugambwe CNDD-FDD muri komine Kirundo, intara ya Butanyerera.**

Kuva muri Munyonyo 2025, ama zone yose ya komine Kirundo yaraburiwe biciye ku munyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD, Kw'itegeko rigamije gutoza intererano zo gushigikira amatora ya 2027.Kubwo amakuru dufise,umugambwe uri ku butegetsi(CNDD-FDD) uriko utoza ,ubicishije ku bawuserukira mu mazone,intererano yo ku kwezi ku kwezi y'amahera 500 ku rugo.Uno musi,ico gikorwa kirabandanya.Kugira bashobore kuvoma,umuntu abwirizwa kwerekana aga papuro kerekana ko umuryango wamaze guterera.Iyo utagafise ntibakwemerera. Abadandaza,cane cane abo mu bwoko bw'abatutsi,baraturubikwa bikomeye, bagasanga kenshi na kenshi bategerezwa kuriha 50 000fbu canke arenga, mugihe bagenzi babo b'abahutu barihishwa 10 000 BIF canke 5 000 BIF. Vyongeye, kubwo amakuru twarose,amashengero nayo nyene arasabwa gutanga intererano yayo.Ni ngombwa ko dutomora ko CNDD-FDD ariwo mugambwe wonyene utoza mu banyagihugu, nkuko woba ari umugambwe umwe wonyene.

**Ugutoza amahera kwa CNDD FD muri komine Karusi, intara ya Gitega.**

Abatwara imiryango cumi**(NYUMBAKUMI)** bariko batoza 2000 BIF mu mihana yose bitwaje ko ari intererano yo kubaka ahakorera abarongozi b'intara ya Gitega.Abanyagihugu baridogera izo ntererano zirenze urugero mugihe benshi muribo batarose haba ifumbire barishe imbere kuva mu bice vy'irima biherutse canke imbuto z'ibigori zirobanuye.Haravugwa kandi imyidogo muri abo barongoye amazu cumi cumi ko bategerezwa kugira intonde z'abagore bose mu kwandika amazina yabo,imyaka,amashure bize hamwe na nomero ya terefone.Baridogera ico gikorwa kigoye ata gahembo.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO.* *(Ibikurikira urupapuro 6)*

**Ukugara amazu y'urudandazwa mu gisagara ca Ngozi, intara ya Butanyerera.**

Kuwa 13 Nyakanga 2026, umugambwe CNDD-FDD warahungabanije ibikorwa vy' urudandazwa inyuma y'umutaga mu tuguriro twose two muri karatiye Muremera, iri mu muji wa komine Ngozi. Abanyagihugu barashikirije akababaro,kubera n'abatari abanywanyi b'uwo mugambwe uri ku butegetsi babwiriza guhagarika urudandazwa rwabo.Amazu y'ubudandarizo bw'ibifungurwa yose hamwe n'ubunywero,nko mu ma zone bita "kuryamivo, kw'iferemi, mu burengo",yari yugaye gushika igihe c'isaha 12 z'umugoroba. Ico kintu carakurikira n'ibirori vyateguwe na CNDD-FDD ku kibuga cinkino ca Muremera, vyari vyerekeye ukurahira kwa bashasha mu mugambwe kubwo amakuru twahawe n' abadandaza bari baari.Ico gikorwa co kugara cakurikiranwa n'imbonerakure zikomeye, harimwo uwitwa "Bumwe" kw'iferemi, na Pierre Burato ku kirindiro kuryamivo.Kubera batinya gufatwa,abo badandazwa baragondojwe barugara ubudandarizo bwabo.

**Ibikorwa mu mirima ya Cndd-Fdd muri komine Muramvya.**

Kuva ici ritangura,abanyagihugu bo ku mitumba imwe imwe ya zone na komine ya Muramvya bama mu bikorwa vy'agahato mu mirima y'umugambwese CNDD-FDD. Mu bisanzwe,kuva hatanguye igice ca kabiri c'ukwezi kwa Mukakaro,imiryango ibwirizwa kugira igikoresho co kuvomera, ikidumu hamwe n'indobo kugira bavomere imirima y'amavoka n'ingemwe z'ikawa ziri ku mitumba ya Ndago na Masango. Abana bose bari mu kiruhuko bategerezwa kuvomera iyo mirima incuro 3 ku ndwi, kandi ibitabo vyandikwamwo abitavye ibikorwa kiguma cuzuzwa kandi gisuzumwa. Igisibo cose gituma umuvyeyi aha 10 000fbu imbonerakure,itwara umutumba,atanakimwe kivyemeza bamuha.Ivyo bikorwa vy' agahotoro ntibiraba abari mu mugambwe CNDD-FDD bonyene,ahubwobiraba abanyagihugu bose.

## *I.4. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

**Amasasu yumvikanye mu Nyamitanga, zone Ndava,komine Bukinanyana mu ntara ya Bujumbura.**

Kubwo intahe z'ababa muri zone Nyamitanga, muri komine Bukinanyana, intara ya Bujumbura, urwamo rw'inkoho rwumvikanye kuva mu gitondo co ku musi wa gatanu igenekerezo rya 11 Nyakanga 2026. Ayo masasu menshi yari hagati y'imigwi yitwaje ibirwanisho yo muri Kongo hamwe n' abasirikare b'Uburundi,bivuye ku mvubu yabazwe mu mazi y'uruzi Rusizi,igikorwa batahurijeko.Kubwo uwutwara zone Ndava, abantu bo mu karere barakomeretse barakomerekejwe n'amasasu, mugihe izindi ntahe zivuga umusirikare yapfuye hamwe n'abandi benshi bakomeretse. Ivyatakajwe n'uruhande rw'abo muri Kongo ntivyamenyekanye.Ku ruhande rw' igisirikare c'Uburundi (FDNB),ntanakimwe bashikirije. Abanyagihugu bo mu Nyamitanga bavuga ko habaye ihungabana rikabije ry'ibikorwa vy'ubutunzi rivuye kuri ayo masasu barasanye,bigatuma hibwa ibidandazwa kandi kakaba uruhombo rukomeye.Abanyagihugu bahaba basaba ko umutekano wabo wubahirizwa kandi batakambira impande biraba gushira imbere ibiganiro hako bakoresha inguvu.

**Umwana yarahiriye mu muriro wadutse mu nzu muri komine Butanganzwa,intara ya Buhumuza.**

Kuwa **8 Nyakanga 2026**, hafi isaha **1 y'igitondo**, umuriro waradutse mu nzu iri ku **gacimbiri Musenga, umutumba Mihama, komine Butanganzwa, intara ya Buhumuza**, ku muhana w'umukenyezi azwi kw'iz ina rya **Nduwarugira Jeanne**. Kubwo icabona cari kihari, umupfasoni Nduwarugira Jeanne yaragiye mu cumba c'uburyamo aho abana biwe bari baryamye igihe yaca yikanga ko ahonyoye ku nzoka.Yaciye asohoka yihuta kurondera ibihunda vyomufasha kubonesha mu cumba.

Agarutse ,yarabonye iyo nzoka.Ku sanganya,umuriro waciye ufata impuzu hamwe n'ibindi bintu vyari mu cumba,imbere yo gushwara hose vyihuta.Abana basanze bahenzwe n'urubeya.Kubwo uwo yabibonye nyene, **IKORIBIKOMEYE Bellanger** yapfiriye mu muriro mugihe **NIYONSABA Grâce** yakomeretse biteye ubwoba.Uwo wanyuma yarajanywe kw'ivuriro kugira avurwe.

Abacitse kw'icumu muri uwo muriro basaba gushigikirwa,batakaje ibintu vyabo vyose muri uwo muriro.Igihe umuriro waduka se w'abana yari muri **Tanzaniya** kurondera akazi **kuva mu kwezi kwa Myandagaro 2026**.

**Ikiziga catowe ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika, zone Mutimbuzi, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura.**

Ikiziga c'umusore atamenyekanye caratowe ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika ruhandi rwa kajaga zone Mutimbuzi yo muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura. Kubwo ababibonye ,uwo musore yoba yasomye nturi,Ikiziga carajanywe mu buruhukiro rw' ibitaro Baho vyo mu Kajaga.

**Umuhana rw'umupfakazi rwaraturiwe muri komine Matana intara ya Burunga.**

Mwijoro ryo kuwa 10 Nyakanga 2026,ku mutumba Sakinyonga, Zone Gasibe, komine Matana, intara ya Burunga, umuriro waraturiye umuhana w'umupfakazi azwi kw'izina rya NDIKUMANA uratokombera.Kubwo isoko dukurayo,impene 5 hamwe n'intama 3 zaraturiwe ariko ntamuntu yhasize ubuzima. Twomenya ko ubutegetsi bwaho buserukiwe n'umukuru w' umutumba Sakinyonga buremeza iyo nkuru yongera adomako ko inkomoko y'uwo muriro lgushika ubu itazwi.

**Uguturira inzu hamwe n'ukugerageza kwica i Mutaho.**

Mw'ijoro ryo kuwa 12 rishira uwa 13 Nyakanga 2026, mu gacimbiri Mukobe, umutumba Nyangungu, zone Mutaho,komine Bugendana y'intara ya Gitega, inzu ya Makobero Salvator, afise imyaka 76 ,yaraturiwe mugihe yari muriyo arikumwe n'umukenyezi wiwe, Nizigiyimana Concesse. Kubwo isoko ryacu,igihe yariko irasha,Salvator yaratabaje kandi munyuma yarashoboye kurokoka mugihe umukenyezi wiwe, Nizigiyimana Concesse,yafashwe n'imbonerakure baca baragerageza kumwica bamuturiye. Munyuma,yaratabawe kandi ubu ari ku bitaro vy' i Mutaho aho ariko avurirwa. Mu gitondo co kuwa 13 Nyakanga,igiporisi, kirikumwe n'indongozi za zone Mutaho hamwe n'umunyamabanga nshingwabikorwa wa komine,barahashitse baca barahagarika imbonerakure 6: Ndayikeza Richard afise imyaka 28 , Nduwimana Jimmy afise imyaka 43 , Ntahombaye Hilaire afise imyaka 45, Nzambimana Édouard afise imyaka 45 , Nimpagaritse Fabrice afise imyaka 33 na Nzeyimana Léonard afise imyaka 36. Bapfungiwe mu gasho ka zone Mutaho. Kubwo amasko yacu,abo 2 bagize ivyago bagirizwa uburozi n'abantu bagize uruhara mu gitero .

## *II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI PORITIKE*

### *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BWATEGUWE*

#### *II.1.1.1. IBIZIGA VYATOWE*

**Ikiziga catowe muri karatiye Bwiza muri komine Mukaza mu ntara ya Bujumbura.**

Ikiziga c'umugabo caratowe kuwa 7 Nyakanga 2026 muri karatiye Bwiza, muri zone Bwiza, muri komine Mukaza, mu ntara ya Bujumbura.

Kubwo ivyabona,ikiziga catowe mu muserege ugabura Nyakabiga na Bwiza. Abantu bamutoye bavuga ko atari yambaye nakimwe kandi ko yasa n'uwanizwe imbere yo kumuta ahohantu.

Indongozi zaho zarashitse aho yatowe hanyuma bafata ingingo yo kurungika ikiziga mu buruhukiro bw'ibitaro vya Prince Régent Charles.

**Ikiziga catowe muri komine Rutana mu ntara ya Burunga**

Kuwa kabiri igenekerezo rya 08 Nyakanga 2026, hafi y'isaha zibiri zo mugatondo,ku nkengera y'uruzi Maragarazi,ku mutumba Gihofi,muri Zone Bukemba, muri komine Rutana mu ntara ya en Burunga, ikiziga caratowe catwawe.

Kubwo amakuru twaronse,abanyagihugu babonye ico kiziga mu gatondo ka kare,bamenyesheje umutware w'umutumba kandi uwo nawe yamenyesheje

Umukuru wa zone na musitanteri wa komine Rutana. Baciye bamuhamba bafashijwe n'umuryango utabara imbabare Croix Rouge yahushe imiti ikiziga cari catanguye kunuka.

#### *II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA KWIHORA*

**Umuntu yishwe muri komine Karusi mu ntara ya Gitega**

Kuwa3 Nyakanga 2026,ku mutumba Rwandagaro, muri komine Karusi,mu ntara ya Gitega, Cimpaye Sanctus, umunywanyi wa CNDD FDD w'imyaka 50 yarishwe n'umubanyi wiwe Congera Berchmans, akoresheje inembo,nawenyene w'umunywanyi wa CNDD FDD, akora akazi k'uburimyi.Kubwo ivyabona vyaho, inkomoko y'ubwo bwicanyi n'uko uwo yishwe yari yakopesheje ibabi ry'itabi rigurwa 500 BIF ku mugore w'uwo mwicanyi kandi akaba yararengeje imisi 2 ku kiringo co kuriha.

Kubwo ivyo vyabona,uwakoze ubwicanyi yari afise amakuru anugwanugwa ko uwo mugabo yaryamana n'umugore wiwe kandi yari yagiye kuri uwo yishwe,aho yamusanze yicaye imbere y'inzu iwe aca amukubita rimwe mu mutwe aca acikana ubwo nyene

Yaciye ahunga aja ahataramenyekana.Kuwa 5 Nyakanga 2026,musitanteri wa komine arikumwe n' umuhanuzi ntayegayezwa barahishikiye kugira bahumurize abanyagihugu bo ku mutumba hamwe n'abahegereyekugira bakinge kwihora bishobora kwaduka.Igiporisi kivuga ko kiriko kirarondera uwo mwicanyi.

Uwo uri wese ubahirizwa

*II.1.1.3. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

**Umuntu yanyurujwe muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura**

Umuntu azwi kw'izina rya Diomède NGENDAHONANKWA yaranyurujwe n'abakozi b' iperereza kuwa gatandatu igenekerezo rya 8 Nyakanga 2026,ahantu bita "Mw'ikora", hatumbereye muri komine Mugere,mu ntara ya Bujumbura. Kubwo ivyabona vyari bihari,Diomede yaravuye iwe mu Kamesa hanyuma aja Mw'ikora gutegera imodoka kugira aje i Bujumbura. Mugihe yararindiriye imodoka yunguruza abantu ahonyene,ingendeshwa yo mu bwoko bwa Toyota,ifise imparati L8795A,yaraje aho hantu. Abaporisi babiri barasohotse,baramuhagarika hanyuma bamwinjiza mu ngendeshwa ku nguvu,bunonyene ica iragenda igana i Bujumbura.Muri iyo modoka hariyo Celestin,arongoye iperereza muri komine Mugere. Abamwegereye n' umuryango wa Diomede bashikiriza amakenga bafise ku mutekano wiwe.

*II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU RUKOBA NO MUVYIYUMVIRO*

*II.2.1.AMABI YO MU NGO*

**Umugore yakubiswe n'umugabo wiwe muri karatiye KIGWATI muri komine Karusi.**

Ku muhingamo wo kuwa gatandatu,igenekerezo rya12 Nyakanga 2026, hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba, mu karere ka Buhiga,muri komine Karusi, neza na neza muri karatiye kirwati,umugabo yitwa Ntezimana Eric, umumisilima w'imyaka 30,umunywanyi wa CNDD FDD, umurimyi yarakunbise inkoni umugore wiwe,Hidaya,nawenye umunywanyi wa CNDD FDD kandi w'imyaka irenga 25. Kubwo isoko rihegereye,uwo mugore yafashwe ariko asambana n'uyundi mugabo tutaramenya umwidondoro wiwe. Vyongeye,kubwo iro soko nyene,inyuma yo kuronka ayo makuru ababaje,umugabo wiwe yaciye aja kugura umupanga mu ntumbero yokumutema,inyuma yo guturira impuzu zose z'umugore wiwe. Niho rero ababanyi batabaza igiporisi imbere yuko iryo bara rirwa.Umugabo yarikumwe n'uwo mugore yarashoboye guhunga iciye mu gisenge c'icumba ciwe,mu gihe igiporisi caciye gitora umupanga,warukiri mushasha kandi ukarishe neza. Twobamenyeshako ababanyi bemeza ko urwo rugo rwama mu mahane adahera,umugabo yikeka umugore wiwe ko aja mu bandi bagabo.

**Umugore yatemeshejwe umupanga n'umugabo wiwe ku mutumba Musave muri komine Kayanza mu ntara yaButanyerera.**

Kuwa 12 Nyakanga 2026,umugore yitwa Sinzobatohana Asiya aba ku mutumba Musava muri komine Kayanza yo mu ntara ya Butanyerera,yarakomerekejwe n' umupanga n'umugabo wiwe yitwa Nzeyimana Jean Claude.Amakuru yatanzwe n'uyo yatemwe kandi yemejwe na Nestor Ndaribamare arondoye umutumba bavuga ko uwo yatemye umugore yatashe hafiisaha zibiri n'igice z'ijoro yaborewe. Yari yanyoye inzoga zikaze bakunze kwita Bangala. Uwo mugabo yasanze umugore ariko aganira n'abana afata umupanga hanyuma amukomeretsa mu maso.Igihe abana bakoma induru batabaza,yaciye hungakandi ntibaramutora naho igiporisi kivuga ko ariko araronderwa kugira ngo arengutswe imbere y'ubutungane. Uwatemaguwe yajanywe ku kigo c'ubuvuzi kiri mu gisagara ca Kayanza kugira avurwe. Haboneka iyongerekana ry'amatati mu ngo kubwo kunywa cane ibinyobwa bikaze.Indongozi z'igihugu ntizisiba gusaba gukuraho inzoga zo muboko nk'ubwo.

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

## Umuriro wahitanye ibintu vyinshi mu Cibitoke mu ntara ya Bujumbura

Amazu y'ubudanadarizo ashika kuri 9 yarahiye aratokombera ku kirometerero co ku murwa mukuru wa Komine Cibitoke,mu karere bita Kigwati, kwa Nisubire, mu gitondo co kuwa kane kuwa 10 Nyakanga 2026. Abafise amazu y'ubudandarizo vyakozweko bamenyesha ko bahomvye cane kandi bagasaba ubufasha. Hafi y'isaha zitatu ,abaporisi bo muri komine Cibitoke bararasuzumye ivyononywe n'umuriro.Ababa mu micungararo bashikiriza ko uyo muriro woba waturutse ku muyagankuba wa REGIDESO. Basaba iryo shirahamwe ,ritonga umuyagankuba,ko botunganya neza umuyagankuba kandi bagatanga ubufasha butagira akanenge.

### *III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

#### Itangura ry'amashure ryerekana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu

Buca amashure atangura y'umwaka w'ishure 2026-2027, ukuronka indero ingana kuri bose kandi idakumira biracagoye ku mvo y'bukene mu banyagihugu buri hose,bigakora gose ku burenganzira nshingiro bw'abana b'abarundi. Ingorane z'uburyo bugoye kwihanganira, kubura intebe,mu mashure menshi hamwe n'ikena ry'abigisha birasubiza inyuma uburenganzira ku ndero,nkuko bivugwa mw'ibwirizwa nshingiro ry' Uburundi.Iduga ry'ibiciro ku murindi uteye ubwoba,iduga ry'ibiciro vy'ibikoresho vy'ishure (amakaye,umwambaro w'ishure,n'ibidi….)hamwe n' ukuduza amahera y'ishure kubw'itegeko nshikiranganji ryo kuwa 03 Nyakanga 2026,bikora ku miryango ibihumbi n'ibihumbi ifise amikoro make cane,bigatuma badashobora kuronka ibikoresho vy'ishure bikenewe.Ku rundi ruhande,izindi ngorane zirakora ku banyeshure n'abavyeyi babo,nk'igiturire kivugwa muri komine ya Mugina mugihe bariko barondera guhindura ibisata canke ishure.Amakomine menshi yaragutse kubera indinganizo nshasha y'igihugu muri 2025. Abanyeshure hamwe n'abavyeyi babo babwirizwa gushikana ibisabo vyabo ku rwego rwa zone ahaba hari umukozi wo mu gisata c'indero.

Kuri ubwo,ugusaba guhindurirwa ishure vyigirwa muri komine aho uwujejwe igisata c'indero ariwe wenyene ashobora kubakira.Ibituma bariha amahera menshi mu kwiyunguruza kuri bamwe bamwe bategerezwa kugenda ibirometero 20.Ivyo kandi bikamira mu coze igiturire.Vyongeye,gukuraho amashure amwe amwe,afise abanyeshure badashika 25 canke 15 mu gice ca 4 c'amashure shingiro, hamwe no mw'ishure shingiro,birafise ingaruka zikomeye haba ku ruhande rw'ubutunzi canke rw'ibikoresho ku miryango y'abana bazotegerezwa kugenda ingendo zirezire cane gupanga amazu.Amahera batanga yiyongerako,atariategekanijwe mu nteguro z' umuryango,ntankeka bishobora gutuma abana bamwe bamwe baheba ishure muri uno mwaka w'ishure kubera uburyo budakwiye.

## UKubura abigisha birabandanya

Naho Reta yatangaje gutanga ubuzi ku bigisha **5 000** ,ibura ry'abakozi riguma riteye ubwoba ku mashure menshi.Ukugenda kw'urukwirikirane rw'abigisha benshi baja kurondera ahoba agahembo kisununuye biratuma haguma ibihengeri.

## *III. 2. UBURENGANZIRA KU NDERO**(Ibikurikira urupapuro 11)*

**Umugambi « Nta mwana n'umwe wo kwicara nabi » wahuye n'ingorane mw'ishirwa mu ngiro**

Naho hari umugambi wa Reta **« Nta mwana n'umwe wokwicara nabi »**, wategekanya gukora intebe **336 000**,amashure menshi natagira ibikoresho vyankenerwa.

Kubwo amakuru twatororokanije,bamusitanteri n' abarongoye ibisatavy'indero barindiriye intango y' umwaka kugira basabe abasongoye amashure, abanyeshure n'abavyeyi babo kuriha amahera yo kwunguruza intebe.Ivyo biteye amakenga cane mugihe umugambi warufise uburyo bwo kuriha amahera yose,guhera guca ibiti gushika no kwunguruza intebe gushika ku mashure yazigenewe.

**Amashure abiri y'uburaro afise intambamyi zikomeye buca umwaka w'ishure utangura mu ntara ya Burunga**

Buca umwaka w'ishure 2026-2027 utangura, amashure ya Rumeza na Rumonge, yose y'indaro,afise ingorane z'ibikoresho n'uburyo.Rumeza itegekanya kwakira abanyeshure hafi 500 bo mu ndaro ariko ribura ibitanda 57,imatera 100,intebe 26 n'imeza 10 zo mu nzu y' uburiro. Ibirasi birabura intebe 6 hamwe n'abigisha bashasha mu vyigwa vyinshi. Ishure ya Rumonge ikeneye ibitanda 400n'imatera 200 ziyongera kuzihari hamwe n'abigisha 10 ndetse n'ibikoresho mfashanyigisho.Icunyura ivyo vyose n'ikena ry'amazi meza,ibishobora gusubiza inyuma isuku ku banyeshure. Abayobozi basaba ingingo zihuta kugira bateze imbere itangwa ry'amazi meza.

Ku vyerekeye uburyo,amashure ntararonka amahera akenewe kugira ibikorwa bigende neza kandi ububiko vy'ibifungurwa busa n'ubwaheze. Basaba Reta guha vuba ibigega nkenerwa kugira haboneke imfungurwa n'ivyo abanyeshure bakenera. Ivyo biba mugihe Reta yamenyesheje gusubizaho amashure y'uburaro hakajamwo no gusubira kwugurura amashure menshi. Kuri ukwo gusubira gutangura,imigwi yo gutanga akazi yarashizweho,ariko indongozi ziracarindiriye ishirwa ahabona ry'intonde z'abigisha bahawe akazi. Naho Reta yategekanije guha akazi abigisha bashasha 5000,amakenga aracariho mu barondeye akazi ku vyerekeye umuco muri ico gikorwa. Isure ryegereje gutangura, Rumeza na Rumonge bibazako ibikorwa vyihutirwa vyoba nyamukuru kugira ivyigwa bibandanye kandi no gushobora gutunganiriza abanyeshure bari mu ndaro.

## *III.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

**Amazi mabi,ava mu buzu bwa surwumwe bw'isoko rya kayanza ateye ibibazo abanyagihugu bo muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera.**

Amazi mabi ava mu buzu bwa surwumwe bw'isoko rya Kayanza atembera mu muvo ukikuje iryo soko. Impande y'uwo muvo hari ikirindiro c'abagendesha amapikipiki n'amakinga hamwe n'ibibanza vyagenewe kudandarizamwo ibintu bitandukanye harimwo ifu y' imyumbati,ibitoke n'imyumbati. Amasazi menshi aribonekeza,adumira ku bidandazwa. Umunuko w'ubugesera niwo ukwiragiye impande n'impande z'uwo muvo.

Abandandaza ivyo bifungurwa bashikiriza amakenga yabo, bagashimangra ko hamwe atangingo n'imwe yofatwa kugira ayo mazi aveho,bahakwa kwandura indwara zijanye n'isuku rike. Bamenyesha kandi ko igice c'abababashirera bahagaritse kubagurira. Inongozi zo muri komine Kayanza zarabimenyeshejwe. Ariko, kubwo amakuru twatorirokanije,ntanyishu ibereye iraboneka mugihe twandika kino cegeranyo.

## *IV. UGUHERAHEZA HAMWE N'IBISABWA*

Indwi yo kuva kuwa **7 gushika kuwa 13 Nyakanga 2026** yaranzwe n'urukurikirane rw'amabi yerekana ibintu bibandanya kugoyagoya mu bisata vy'uburenganzira bwo kwigenga canke muri poritike,umutekano,intwaro,indero,amagara y'abantu hamwe n'uburyo abanyagihugu babayemwo.

Ibiziga vyatowe mu burere butandukanye,amabi yo mu ngo,ukunyuruzwa i Mugere hamwe n'icuka c'umutekano cavuzwe muri zone ya Nyamitanga indondozi zibifitiye uburenganzira zihamagariwe kurikanura.

Muri uyo mwana, amakuru ajanye intererano z'uburyo,z'ibikorwa bitegekwa abanyagihugu bamwe bamwe mu banyagihugu,uguhagarika vyakoze ku budandaji hamwe n'ingorane ziri mu gisata c'indero vyerekana amakenga akeneye inyishu zo mu nzego zibifiye uburenganzira.

Umuhari Iteka uhamagarira indongozi z'Uburundi gukomeza gukingira uburenganzira nshingiro,kworosha ugushikira ubutungane hamwe no kuraba ko umuntu wese yikekwako icaha ko yohanwa hisunzwe amategeko.

Kubw'ivyo, umuhari Iteka usaba :

***Reta y'UBurundi:***

1. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga;
2. Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo;
3. Kugira amatohoza ku biziga bitorwa mu mihingo itandukanye y'igihugu kandi ata nakimwe gikorwa na Reta ;
4. Gufata ingingo zo gusezerera ukudahana amabi hamwe no guhasha abagirwa n' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bakishura ivyaha vyabo;
5. Gukomeza ingingo zo gukinga no kurwanya imiririo,nko mu buere bw'ubudandarizo, amashure hamwe n'inzu ziri kumangenge;
6. Uguteza imbere ukuntu bakira abanyeshure mu mashure y'indaro nko kuvyerekeye ibitanda,imatera,imeza,intebe,amazi,imfungurwan'abigisha.

**Umuhari Iteka usubiye kwemeza ko bikenewe, gukingira ubuzima bwa muntu,agateka,uburenganzira bwo kudakubagurwa,uburenganzira nshingiro, hamwe n'uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.** Utera integer indongozi zibifitiye ububasha gukorera kuvyamenyeshejwe muri iki cegeranyo mu maguru masha n' uguha uburenganzira abahuye n'ivyago canke imiryango yabo gushikira ubutungane hamwe no gufata ingingo zose zikenewe zo kurwanya amabi yatohojwe